**THE COMMANDMENTS NOT OBEYED**
**Lesson 102**
**Exodus 32:1-6**
Memory verse : « Where there is no counsel, the people fall. » Proverbs 11:14.

**AMATEGEKO ATUBAHIRIJWE, ARONI ACURISHA IKIGIRWAMANA.**
**Icirwa ca 102**
**Kuvayo 32:1-6**

Ijambo ngenderwako : ***« Ahabuze abarongora b'ubwenge abantu baraherengetera. »*** **Imigani 11:14**

## I. Intangamarara.

Imisi mirongo ine iraheze Mose ari kuvugana n'Imana k'umusozi Sinayi asigira ishengero mukuru we Aroni. Imana yari yamuhaye amategeko ; Abisirayeri barayemera ariko none barayahonyanze.
Babonye Mose atevye, abantu bakoranira kuri Aroni bamusaba kubacurira iyndi mana. Ubu nyene bari baciye kubiri nivyo biyemereye mu gice ca **20 :3** « *Ntukagire izindi mana umbagikanya* », co kimwe no **kuvayo 24 : 3b** « *Abantu bose bamwishurira icarimwe bati : Ivyo Uhoraho avuze vyose tuzobikora.* » vyumvikana ko bari bamwishuye bati : tuzovyubahiriza.

## II. Aroni umuyobozi munyantege nke.

Umurongo wa kabiri : *« Aroni arabishura ati : Ni mukure impeta z'izahabu ziri ku matwi y'abagore banyu n'abakobwa banyu muzinzanire. »* Ibi birerekana ingene Aroni yabaye umunyantege nke mukwemerera no kwerekana ingene ibiriko birasabwa n'abantu vyoja mu ngiro.

Izi mpeta ni izo bahora bamabara bakiri muri Egiputa. Bizera ko mugihe bazambaye zabakingira ivyago k'ubuzima bwabo. Zari zizimvye cane. Bitangaje kubona batatevye kuzimuha, maze aca abacuriramwo ikigirwamana c'impfizi y'inka.

## III. Impfizi y'inka yacuzwe.

Abanyagiputa n'abantu bo muri ako karere barasenga ibigirwamana vy'ishusho y'inka. Bizera ko inka ari imana y'inyenkomezi arico catumye bahitamwo kubumba igisa n'inka. Aroni arubahuka aravuga ati : « *Yemwe Bisirayeli, ngiyo imana yanyu yabakuye mu gihugu ca Egiputa ngo ejo hazoba umusi mukuru w'Uhoraho.* » Yiyemeza kuguma yubaha Uhoraho mugabo ayibonere muri iyo mpfizi y'inka. Biboneka nawe anezerewe nibiriko birakorwa.

Aroni nk'uwasigaranywe ubuyobozi ; yarashobora kubwira abantu ati : *« Mbega ntimwibuka amabwirizwa y'Imana n'ingene twemeye kuyubahiriza* » aha, yari kuronka bamwe mw'ishengero bamushigikira kandi ntawari kubaza iki gishushanyo umuyobozi mukuru atavyerekwa.

Aroni munyapolitike yaharanira kwemerwa no gukomerwa amashi n'abantu naho yoba akoze ibinyuranye n'amategeko ya sebuja. Uku niko no mungo z'abantu b'Imana bimera igihe umwe wese atamenye ico ategerezwa kubahiriza mu rugo.

## IV. Bararya, baranywa bava hasi baravyina.

Umurongo wa 6. « *Bukeye bazinduka kare, batanga ibimazi barabiturira, bazana n'ibimazi vy'ishimwe, bicarikwa no kurya no kunywa, bava hasi baravyina*. »

Ijambo **kuvyina** mu giheburayo ni "caress". Risobanura imyidagaduro ikorwa n'umuntu mu kunyukagura umubiri. Barabikora mu kuduza no kumanura amaboko, mu guterera amaguru hejuru canke bakazungagiza imitwe. Amashengero menshi muri Amerika, iyo baronse ivyuma vy'umuziki, baravyina gushika naho indugumba itemba. Ibikorwa nk'ibi ntaho bihuriye n'ico ijamabo ry'Imana risaba ngo mwuzura Mpwemu Yera.

## V. Ingaruka y'icaha c'umuyobozi w'intege nke.

**Soma Kuv. 32:7-11.** Abisirayeli bakoze icaha gikomeye ; Imana ifata ingingo yo kubahonya bose hagasigara Mose n'umuore n'abana biwe gusa. Mose umurongozi akunda abo arongoye, arabatakambira, Uhoraho arigarura. Ugusenga k'umugororotsi kurashobora guhindura imigabo y'Imana.
Naho biri uko, kubera ko icaha camaze gukorwa, hategerezwa kuba ingaruka. **Soma umur wa 19-29** kubera ishavu, Mose yamwenye ivyagezwe ; abantu banyweshwa umunyota ; abantu ibihumbi bitanu biricwa.

Uyu murongozi Aroni asa n'umuvyeyi gito ashobora ghukwegera abo mu rugo rwose ivyago kubera ingeso mbi ziwe canke kudahanurwa.

## VI. Ibipimo ku Bisirayeli

Abisirayeri bahuye n'ibipimo bitatu :
**Kutihangana :** Mu misi mirongo ine gusa batabona Mose ; baba barataye ivyizigiro bibagiye ivy'Uhoraho yabakoreye, baba batanguye gusenga ibigirwamana. Imana ntiyiruka n'umwanya kanti ntaho ikorera kukwihuta

k'umuntu. Niba udashoboye kurindira igihe c'imana ; ushobora kuzokwisanga watanguye gusenga inka.

**2. Kutezwa :** Aba bakiri muri Egiputa bahora basenga ibigirwama, biboneka ko ako gatima kari kakiri muri bo naho Uhoraho yari yaramaze kubiyereka no kubibihaniza. Niko bimeze, hari abavuga ko bahevye ivyaha, ariko akaryo kabonetse ntiboteba kubikora. Barabuze ukwezwa ku ngeso bahozemwo.

**3. Kutizera :** Bari barahawe Mose nk'umuhuza wabo n'Imana, bahabwa inkingi y'igicu. Kuko batariko babibona, biyumviye ko n'Imana itakiriho. Bari bameze nka Thoma yavuze ati : « *Nintamubona inkovu z'imambo mu biganza vyiwe, ngo nkoze urutoke rwanje mu nkovu z'imambo, ngo nshire urushi mu rubavu rwiwe sinemera.* » **Yoh20 :25** Imana si umuntu, mu kuyizera ntibisaba ngo urinde kuyibona canke ngo uyikoreko. Ibera hose icarimwe.

## VII. Gushira mu ngiro.

Birashoboka ko wabaye umurongozi munyepolitike nka Aroni mubo uyoboye canke m'urugo rwawe. Vyarakunaniye kwihangana, urananirwa gukizwa ku ngeso za kera ndetse wanabuze n'ukwizera Imana. Ahabuze abarongozi beza, abantu baraherengetera. Iyumvire abamaze guherengetera kubera wewe. Ariko ugutungana biracashoboka mu gihe wokwemera guhaguruka ugasenga.

**GOD'S REFUSAL TO GO WITH THE ISRAELITES TO CANAAN**
**Lesson 103**
**Exodus 32:30-35; 33:1-6**
Memory verse : «***My presence will go with you, and I will give you rest*** **»**
***Exodus 33:14***

## IMANA YANKA KUJANA N'ABISILAYERI I KANANI
## Icirwa ca 103
## Kuvayo 32:30-35; 33:1-6

Ijambo ngenderwako: « ***Ubwanje nzokwijanira namwe, ndabashikane amahoro*** » **kuvayo 33:14**

### I. Intangamarara.

Abisilayeli bamaze gucumura bagacura ikigirwamana c'inka bakagisenga ; Uhoraho yarabahanye koko ariko arababara cane. Mose niho yaduga kubasabira

ikigongwe. Agerako yisabira ko Imana yopfuma isibanganya izina ryiwe mu gitabo c'ubugingo niba itari bubaharire. Imana umucamanza w'ukuri ; imwishura ko uwakoze icaha ariwe akwiye guhanwa. Uko niko vyashinzwe no kugera ubu. Ntawuzozira icaha c'uwundi. Umwe wese azikorera ivyiwe.

Imana yaragumijeho isezerano ryo kuzobashikana mu gihugu c'i Kanani ; ariko ibemerera kubaha umumarayika ngo abe ariwe abajana kuko yoyo yohava ibahonya kubera ivyaha vyabo.

**II Mose asaba ko Imana ijana nabo**
Inkingi y'igicu hejuru y'ihema ; cari icemeza ko Imana irikumwe nabo. Niba Imana yanse kujana nabo, iki gicu nticosubira kugaruka. Mose yaratakamvye cane ngo Uhoraho abahangaze ajane nabo. Igisabo ca Mose carumviwe kubera ukwinginga kwiwe, Soma **Kuv. 33 :14**-19. Iyi mirongo irerekana urugero rurerure rw'imbabazi z'Imana k'umuntu. Ni naco catumye Uhoraho yemera kwishinga uru rugendo rw'aba bantu naho yababona ari abatagonda izosi, banezerezwa no guhora bakora ivyaha. Ugusenga kwegereza umuntu ubwiza n'imbabazi z'Imana.

Icatuma Mose asaba gose ko Imana ijana nabo ; ni uko yatahura ko igikorwa kimuri ku bitugu atocishoboje wenyene. Uyo mu marayika ntibari bamuhawe mu mahoro kandi ntiyari amenyereye gukorana nawe. Ivyizigiro vyiwe vyari k'Uhoraho we bavuganiye muri ca gisaka. Birakwiye ko umuntu amenya ko Imana irikumwe nawe muvyo ariko akora vyose. Bitabaye uko ; ushobora kuyisaba ikaza mu buzima bwawe, ikagendana nawe niho bizogenda neza.

## III. Akamaro ko kugororoka imisi yose

Imana ntishobora kubana n'umuntu yiyamira mu vyaha. Niba Imana yemeye gusubira ku ngingo yafashe, ikemera kujana n'Abisilayeri ; ni uko yibuka isezerana yagiranye na Aburahamu akarikomeza no kuri Isaka na Yakobo. Ni nkuko Idashobora kwita umuntu yama mu vyaha umwana wayo. Imubona nk'umwansi wiwe. Abamugaya nabo, bazojanwa kubana na Satani uwo bumviye.

Abisilayeri bumvise uko Imana ivuze ; barihanye bambura ibisharizo vyabo, barasenga basaba ikigongwe. Imana ibemerera ko izobijanira gushitsa ibashikane amahoro. Kandi yarabikoze. Imana ntiyigeze ihusha akaryo ko kubabarira uwicujije. Nico gituma n'ubu bishoboka gukurwako ivyaha ikajana nawe ikakubera inkomezi, umukiza, umuganga, ….

## IV. Yosuwa umusirikare w'umwizigirwa.

Mose ntiyari wenyene imbere y'Imana. Yari yajanye na Yosuwa ari protocol. Naho abantu bahemuka ; hama hariho amasigarira y'Imana. Abo baremera

ivyobashikako vyose ariko bagahagararira ukuri kw'Imana kandi bakaba abizigirwa mu gikorwa cayo. Baremera bagahomba n'ivyobabera inyungu.

Uyu Yosuwa kubera ubutore Imana yamubonamwo. Niwe yasigaranye igikorwa c'Imana igihe Mose yarasanze basekuru. Yemeye guhangana n'abasoda b'ibihugu vy'Ikanani barabarwanya mw'izina ry'Uhoraho ; begukira ico gihugu.

Imana irakeneye abahizi nk'uyu Yosuwa ; bemera guhebe vyose kubw'igikorwa cayo. Ikiboneka ni uko abenshi bo muri iki  gihe ca nyuma bariko bayikorera nk'ukwikurayo. Yemwe masigarira y'Uhoraho ni mureme kandi mushishikare ; ntimurambirwe uwabahamagaye azobahemba kandi muzonezezererwa.

**V. Gushira mu ngiro.**

Umusavyi w'Imana Mose ; yageze aho asaba Imana ngo imwiyereke imbonankubone ; uretse ko bitari gukunda. Aha ntiyariko arasaba umugisha w'akanya gato canke wo mw'isi.  Yumva yokwibera mu Mana neza akabana nayo kandi akayikorera ayizi.

Mose yarasavye ko Imana itohonya Abisilayeri. Kwari no kugira ngo ntibizovurwe ko Mose yakoreye guhomba. Uyu musi niba uri mu vyaha, uzoshobora kubwirwa ko Imana itajana nawe. Uzoheza wijane wenyene, nta mumarayika uzohabwa. Ntawuzi ko bizoguhira. Abari k'umurongo mwiza ni mukomereze aho ; umve avuze ngo : « *ubwanje nije nzobijanira ndabashikane amahoro.* » Ariko nawe wumwa uri kure yayo, tangura usenge nka Mose, ubu nyene arakwegera ni umwizigirwa imisi yose.